**Nyeniteka urongoye Inama Nshingamateka y'Uburundi;**

**Nyeniteka urongoye Inama Nkenguzamateka y'Uburundi;**

**Nyakwubahwa Cegera c'Umukuru w' Igihugu cacu;**

**Nyakwubahwa Mushikiranganji wa Mbere wa Reta y'Uburundi;**

**Nyakwubahwa urongoye Sentare Ntahinyuzwa y'Uburundi,**

**Nyakwubahwa Mushikiranganji w'Ubutungane;**

**Nyakwubahwa Muhuza w'Abarundi;**

**Banyakwubahwa mugize ibiro vy'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka;**

**Banyakwubahwa Bashingamateka n'Abakenguzamateka;**

**Banyakwubahwa mugize Reta y'Uburundi;**

**Banyakwubahwa muri mu Nama Nkuru y'Ubutungane;**

**Nyakwubahwa urongoye Sentare idasanzwe ijejwe imanza z'amatongo n'ayandi matungo;**

**Nyakwubahwa Mushikirizamanza Kizigenza wa Repubulika;**

**Banyakwubahwa mujejwe imirimo itandukanye mu Bushikiranganji bw'Ubutungane;**

**Banyakwubahwa Ndongozi mu nzego z'Umutekano no Kwivuna abansi;**

**Banyakwubahwa muserukira ibihugu n'Amashirahamwe asahiriza Reta mw'irangurwa ry'imigambi y'iterambere;**

**Banyakwubahwa mwese umwe wese mu cubahiro ciwe,**

**Batumire bahire;**

**Tugire amahoro, Sangwa amahoro, Ubumwe, ibikorwa, iterambere n'ubutungane mu gihugu cacu ciza c'Uburundi.**

1. Mudukundire Tubanze dukengurukire Imana Data Mushoboravyose, yo yama itwama hafi ikaturongora mu bikorwa vyiza turangura, ikaba yarabanye natwe mu mwaka w'ubutungane uheze. Turayisavye ibandanye yigaragaza mu migambi igiye kurangurwa muri uyu mwaka w'Ubutungane utanguye.

2. Ugutangura umwaka mushasha w'Ubutungane, ni akaryo keza ko kurimbura ivyakozwe mu mwaka urangiye w'2019 ushira uw'2020, hamwe no kwiha intumbero y'ibikorwa vy'umwaka utanguye w'2020 ushira uw'2021.

   Turabakeje kandi turabashimiye ku cegeranyo ciza mwashikirije ku vyaranguwe, kandi tubipfuriza gutera imbere mu kwama na ntaryo mwitwararika ko Abarundi bose batunganirijwe.

**3.** Icivugo tuzokwisunga muri uyu mwaka ni iki: **"UBUTUNGANE BUHUMURIZA BOSE, NI RYO HANGIRO RYA RETA MVYEYI"**.

Iki civugo kirahambaye cane, kandi kije hageze kuko Abarundi barashashaye Ubutungane bubahumuriza kandi bubaremesha. Bisubiye, Reta mvyeyi, kugira ibe mvyeyi koko, ni uko iba ifise urwego rw'ubucamanza ruhumuriza abana b'igihugu bose ata n'umwe avuyemwo.

Ivyo na vyo ntahandi vyova atari uko umwe wese ashira umutima mu nda kuko yama azi neza ko hagize uwumutera ku twiwe yitura ubucamanza bukamutunganiriza; ndetse n'uwo bagirije ikibi agashira umutima mu nda ko amategeko ariyo akora atawicishiriza ahiwe canke ngo amugure.

**Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire;**

**4.** Tuvuze Ubutungane, benshi bumva ubucamanza n'amategeko abugenga vy'igihe ca none.

Yamara rero, twari dukwiye gutegera ko Ubutungane kama ari bwo bwaranze Abarundi kuva kera na rindi, atari ubucamanza gusa ahubwo ari ingingo nziza zose uburongozi bw'igihugu bufata kugirango umwenegihugu yumve ko aroraniwe mu vyiwe no mu kibano.

Ubucamanza rero ni icitiranwa c'ubutungane muri kamere kabwo kuko bubanguranya, bukagorora ibigoramye.

Koko ni ubutungane; kuko burahumuriza kandi bukaremesha bose. Bucisha aho ukuri kuri, bukihaniza, bukongera bugakinga indyane. Nakare basokuru bari bazi ko ubutungane bukura ingimba, ko ahari abagabo hatagwa ibara.

**5.** Ubucamanza ni ubutungane koko, kuko burabanguranya kugirango butekanye igihugu, uwarenze itegeko agahanwa ariko ubwo bucamanza nyene bukihaniza n'uwatsinze kugendera ku watsinzwe kuko uwutsinzwe ntibatsindaho.

Ni ubutungane bimwe bidaseswa kuko bukura inzigo n'inzikira mu bantu, uwakorewe ikibi agahumurizwa kugira avavanure n'agatima ko kwihora. Erega ahabuze ubutungane, hazana ukwihanira n'ukwihora.

**Ba nyakwubahwa mwese, Batumire bahire;**

**6.** Turarajwe ishinga n'Ubutungane mu ngo, mu kibano, mu mashirahamwe, eka mu bisata vyose bigize ubuzima bw'Igihugu. Twarabivuze kandi ntituzobidohokako, ihangiro ryacu ni uko ata Mwenegihugu n'umwe yokwama ahagaritse umutima, yidoga ko adatunganiwe.

Ni vyo twese turabona ko hari agahaze, urugendo mu butungane ruracariho, kanatsinda gutunganiriza abenegihugu vyamaho kuko ahari abantu hama urunturuntu. Uretse n'ivyo, turacari mu gihe tukiriko turanagura urwego rw'ubucamanza, kuko hari igihe urwo rwego rwamaze rutakirangura ubutumwa bwarwo nkuko bitegerezwa, bituma abenegihugu barukurako icizere.

None kugira icizere kigaruke mu Barundi, ntibimara umusi umwe, ni ugukora tugatama, dukora ivyiza. Ivyo banegura ubutungane, ni vyo nyene duhamagariwe kutosora.

**7.** Uno musi turacumva akamo k'abatwitura ngo barenganijwe aha canke hariya. Hariho abavuga ko barenganywa, bashika mu rubanza bagacirirwa urwa ngondagonde. Hariho n'abavuga ko abantu bato bato, impfuvyi n'abapfakazi atakibaburanira. Ivyo vyose biradushikira kandi ni vyo Reta mvyeyi ihamagariwe gutorera umuti.

Mbere n'abacamanza na bo nyene baridoga kuko baracaburagizwa n'abitwaza igihagararo bafise mu ntwaro y'igihugu canke bakabahendahenda babahendesha amaronko. Ivyo vyose baravyidoga tukavyumva.
Mbere hariho n'abababeshera, bakabagerekako inkono ishushe kuko babona ko ari ba ntatamikwa ijambo, bataza kubashirira aho bashaka.

Erega si ivyo gusa: n'igihugu kirasahurwa imbona-nkubone, Abarundi babona ntihagire uwuvuga, kuko rimwe na rimwe abenegihugu batabariwe ko igihugu ari bo nyene kugira ngo bakingire itunga ryabo.

**8.** N'aho biri ukwo, turaremye kandi turaremesheje abacamanza n'Abarundi bose tubatangariza ko akamo k'abataka, abatakamba n'abatabaza kadushikira, kandi ko igihe giheze atari co gisigaye.

Ubu Reta mvyeyi mwanshize kubahagararira, igiye guhagurukira ico kibazo c'ubutungane mu gihugu, ahari amatati ahere, imanza zicibwe ku neza ya bose. Ni ico amategeko abereyeho. Mbere n'izamaze gicibwa, twipfuza ko zoja mu ngiro vuba nk'uko Umushikiranganji yabitwemereye.

**9.** Iruhande y'umwitwarariko wacu, Ibwirizwa Shingiro ryaraduciriye inzira zirashe zizodushikana ku Butungane buhumuriza, bubanguranya, butabara kandi buremesha. N'ikimenyamenya, ni uko ubu ryahaye Inama nkuru y'ubucamanza irongowe n'Umukuru w'Igihugu, umucamanza mukuru, uburenganzira bwo kugorora imanza zigoramye.

**10.** Turashimishwa n'ukubona ko Ibwirizwa Shingiro ryatunganije neza irangurwa ry'ibikorwa vya Reta ata rwego rwinjirira urundi. Ubu abenegihugu bohumura kuko ubu biraboneka neza ko Urwego Nshingwabikorwa rwa Reta rudashobora kwisuka mu biraba Urwego rw'Ubutungane, kandi ko Urwego rw'Abashikirizamanza rutunganije mu ntumbero yo guhagararira koko inyungu z'Igihugu n'iz'abenegihugu, mu Burundi no mu makungu.

Iyo ni ingingo nziza yanaguye urwego rw'ubucamanza mu Burundi, kugirango intahe yiganze koko mu gihugu.

**11.** Ico Abarundi twese twotegera, ni uko Reta Mvyeyi itakiri umurwi w'abantu bahurira mu Nama Nshikiranganji gusa, ahubwo ko nyabuna ari igihugu gishingiye ku mategeko ashira imbere ineza ya bose, kuko atorwa n'abenegihugu baciye ku babaserukira mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka.

Reta mvyeyi ni igihugu, ni twebwe twese abarundi. Igisigaye ni ukwiga kugendera iryo teka twihaye ryo kuba abanyamuryango, ben'igihugu kugira

ntihagire uwuzosubira kutwononera umuryango wacu ariwo Uburundi ngo aducanishemwo.

**12.** Ikindi twozirikana na ntaryo ni uko inzego zose z'Igihugu zigengwa n'ayo mategeko y'Igihugu. Urwego rwose rukora mu kwishira n'ukwizana, ariko zose zigakorera abenegihugu mu gusenyera ku mugozi umwe, ari co gihugu.

**13.** Ni muri iyo ntumbero nyene yo gushinga Reta mvyeyi, ata muntu n'umwe mu Burundi agishobora kuba hejuru y'amategeko kuko n'Umukuru w'Igihugu amategeko aramufata igihe ahemukiye igihugu n'abenegihugu **(soma ingingo y'117 y'Ibwirizwa Shingiro).**

**14.** Ndetse si ivy'ubu gusa, n'imbere y'umuzo w'abakoroni, nta numwe yari hejuru y'amategeko kuko uwucumuye kuri mugenziwe intahe yarasasa agaciribwa urubanza, uwucumuye ku gihugu nawe yaranyagwa urukombamazi mbere yamenje birengeje akangazwa kuko nta gaciro yaba agifise mu gihugu.

**15.** Uburundi bwamye ari igihugu gishingiye ku ngingo naho ata mategeko yanditse twari dufise. Ivyo vyose vyagiye gutituka ku ntwaro y'abakoroni, kuko uburundi bwari buhejeje kunyagwa inganji, tukarongorwa n'abo tudasangiye imico n'imigenzo. Erega n'Imana iranka rwose ubukoroni. [**Soma Igitabu**

**c'Amategeko (Deutéronome), 17:15].** Ni nk'uko Imana yanka uwugira uwundi umuja.

None reka ko twahabuje intahe y'ukwikukira, tuvyitunganirize, intahe y'Uburundi isubire igire akanovera, abarundi bahumure.

**Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire;**

**16.** Igihe cose bikenewe, Inama Nkuru y'ubucamanza, ari wo mutwe w'ubucamanza mu gihugu, yama yakoranye mu ntumbero yo gusuzumira hamwe imigambi n'imigabo vyofasha mu kunagura Ubutungane mu Burundi,

kakaba n'akaryo ko kwihweza inyifato y'abacamanza mu bikorwa vyabo vya misi yose, ko bagendera koko akarangamutima k'umucamanza.

Ni muri iyo ntumbero twasanze ko kugira tunagure neza urwego rw'ubucamanza mu Burundi, twohera koko ku muzi w'ubucamanza, intahe yo ku mugina.

**17.** Nkuko vyamye kuva kera na rindi, abasokuru bama bavuga ko urubanza rucibwa n'ivyabona. Ku manza atari mpanavyaha, imanza z'amatati yo mu kibano, icabona nyamukuru kiri aho nyene ku mugina. None ntituvuga ko urubanza rw'itongo ruciribwa kw'itongo nyene? Kandi ngo uwurinda neza umurima awuhagararamwo.

**18.** Mu misi ya vuba, tugiye gushikiriza inama nshingamateka amabwirizwa atunganya ibikorwa vy'Inama Nkuru y'Ubucamanza, ari wo mutwe w'ubucamanza mu Burundi, n'ibwirizwa rigenga intahe yo ku mugira. Gutyo, dukijije umutwe mu kuwuha imizi, ubutungane buzototahara mu Burundi, Abarundi na bo bashire umutima mu nda.

**19.** Ni twame rero tuzi neza ko ubutungane ari karahara mu ruganda ntibacure. Iyo Ubutungane bukoze neza bugatunganiriza bose, amahoro n'umutekano birasasagara mu gihugu cose, imigambi ya Reta ikarangurwa neza, abikorera ivyabo bagakora umutima uri mu nda, abanyamitahe mvamakungu na bo bagahurumbira igihugu, iterambere rikiyongera.

**20.** Indyane Uburundi bwagiye buracamwo, nta nkeka ko zaturutse ahanini ku butungane bwari bwabuze. Tukipfuza rero ko Ubutungane bwohagarara neza kugira ngo ivyo twabonye n'ivyo twumvise vy'agahomerabunwa ntibizosubire mu gihugu cacu. Aka kamo tukaba tugateye abacamanza bose, abashingwamanza bose, eka mbere n'Abarundi bose.

Tumenye ko ahatagira ubutungane hatagira amahoro ; aho amahoro abuze naho hataba umwumvikano. Tukaba tuzi ko aho abenegihugu batumvikana ata terambere riharangwa kuko baca bamera nka bababandi twasoma muri bibiriya bubaka umunara w'Ibaberi. Uwuza guhonya ihanga arishiramwo imvugo zidasa, imvugo zivuguruzanya.

**21.** Umurundi wese ndetse n'umunyamahanga aba mu Burundi, bama bipfuza kuronswa ubutungane nyabwo. Abacamanza rero, ico mwokwama muzirikana imisi yose, ni uko gutunganiriza abandi ku mucamanza atari umwuga, ariko ari ibanga, ari umuhamagaro udasanzwe.

Ni umurimo usaba umucamanza kwitanga wese, akihebera iryo banga, na kare bavuga ngo : « **Ibanga riraheberwa »,** kandi ngo : **« Ibanga ribangirwa ingata».** Nitumenye rero twese ko kwiga igisata c'amategeko muri kaminuza bidasigura ko uba ubaye umucamanza naho woba warushije abandi kubimenya. Kamere k'umuntu ni ko kerekana umucamanza w'ukuri.

**Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire;**

**22.** Duhimbaje uyu musi mu gihe tuvuye mu matora meza yashikanye Uburundi ku nzego nshasha.

**23.** Iyi Reta nshasha rero, Reta-Mvyeyi, Reta-Nkozi, yarategekanije imigambi ngenderwako yo guteza imbere Igisata c'Ubutungane nk'uko twabishikirije igihe twashikira amabanga yo kurongora Uburundi, igenekerezo rya 18 Ruheshi umwaka w'2020.

**24.** Twarashingiye ku ntwaro ibereye, ku butungane, kurwanya ibiturire, kurwanya ukudahana, kurwanya abasesagura itunga rusangi, kugabanya igitigiri c'ababpfunzwe, gukingira inyungu z'igihugu, kwegereza Ubutungane abenegihugu, n'ibindi.

**25.** Ubushikiranganji bw'Ubutungane, busanzwe buri ku kivi, kandi turavyibonera. Muri uyu mwaka urangiye, bwararanguye ibikorwa bitari bike kandi bishimishije. Twashaka dufate natwe aka kanya tubakeze kandi tubakengurukire ku mwitwarariko ubwo Bushikirangaji bwerekanye mu ntumbero yo gutunganiriza abenegihugu.

**26.** Iryo shaka mufise muribandanye kuko ihangiro murarizi: ni gushika ku rugero ata murundi azoba agihagaritswe umutima n'akarenganyo. Inzego z'ubutungane zihagararire bimwe biboneka ineza y'abenegihugu mu kwubahiriza amategeko y'igihugu. Ntihagire uwuzosubira kurengera Ubutungane ngo ahonyange amategeko.

**27.** Turabona ishaka abacamanza bafise kandi **« ubuja gusha buratagata »**. Abenegihugu ni bareme, ndabaremesheje. Abacamanza b'ubu barafise ishaka kugira ivyabaye muri kahise ntibisubire. Ni mureme, ubu twinjiye mu Bwuzure bushasha, ivyari i Magera vyarageruye.

Nagomba kugabisha rero abari bagize ubukozi bw'ikibi ubuhizi ngo basubize inkota mu rwubati, bacire birarura. Ntawuzorenga amategeko ngo vyijane, kandi ntawuri hejuru y'amategeko.

**28.** Turasavye abashikirizamanza guhagararira koko inyungu z'igihugu n'abenegihugu. Nk'umucamanza kizigenza ndabamenyesheje ko ata n'umwe ari hejuru y'amategeko, na jewe ndimwo. Nta n'umwe mu Burundi arekuriwe guhonyanga agateka k'abenegihugu haba mu kubarenganya canke mu kubatoteza.

**29.** Hariho abibagiye ko ivyo twita ivya Reta ari ivy'abenegihugu na bo nyene barimwo. Hariho abita itunga rya Reta ngo ivya mahumbo biribwa n'uwubangutse, abandi ngo Reta ntihomba, abandi na bo ngo akazi k'ibwami kica uwicaye. Abo bose ni ukubereka ko muriho kugira mukingire inyungu za bose, itunga rusangi.

**30.** Twaratanguje urugamba rwo kugwanya gusesagura itunga ry'igihugu. Murigisha, mwereke neza Abarundi ico caha ico ari co kuko hari abatabizi: Uwuhembwa ataco yakoze, uwitwaza ngo ni amasoko ya Reta akagura menshi ivyoguzwe make, abahenda Reta ko bariko bayifasha gukorera abenegihugu ariko bagasaba impembo irengeye umwimbu, abo bose murabereka ko bakoze icaha co gusesagura itunga rusangi kandi ko bihanwa n'amategeko.

**31.** Hariho abitwaza amabanga bakaka amahera abenegihugu ngo ni intererano batari bubakorere ico ayo mahera yagenewe. Hariho abashinga amashirahamwe bagasaba intererano abanywanyi bayagize, ariko ntiberekane ico izo ntererano zakoze, abo bose murabereka ko Reta mvyeyi izohagararira abenegihugu aho inyungu zabo zose ziri kugira ngo ntibanyagwe ivyabo babona.

**32.** Hariho n'Abenegihugu batazi ivyo basabwa n'amategeko gukora. Murabibereka mwongere mubabwire ko uwuvyirengagije ahanwa n'amategeko. Aha twovuga nk'ukutifatanya n'abandi mu gukingira umutekano w'Igihugu n'ibindi.

**33.** Ubu harageze ko mwebwe abashikirizamanza mwerekana ko muhagarariye inyungu z'igihugu n'abenegihugu kugira ngo mugwanye akajagari mu gihugu. Abarenze amategeko mubashengeze imbere y'intahe mudaciye ku ruhande.

**34.** Ikindi ndabatumye mwebwe abashikirizamanza : nkuko nabivuze, muhagarariye inyungu z'igihugu n'abenegihugu. Twaramenyesheje ko Reta mvyeyi ijejwe gutunganiriza abenegihugu, itajejwe kubarenganya. Ni co gituma bitokwumvikana na gatoyi ko umuvyeyi aburana n'umwana wiwe ajejwe gutunganiriza. Hariho abitwaza ubushobozi bahabwa n'igihugu bagaca ku ruhande, bakarenganya abenegihugu na cane cane mu kubasahura utwabo.

**35.** Mubimenye kandi mubimenyeshe Abarundi, kandi naje ndabimenyesheje izuba riva: Kuva ubu Reta irafashe ingendo yo kurenganura uwarenganijwe n'abajejwe kubatunganiriza kw'izina rya Reta. Umwenegihugu yahora arenganywa akaja kuburanya Reta, abashikirizamanza bajejwe kumwumviriza kandi bamurenganure atarinze gutama ngo agiye imbere y'intahe.

**36.** Ni muri iyo ntumbero nciye ngabisha abaserukira Reta mu bisata bitandukanye bari bazi ko ari ba ntahangarwa, ko batazorenganya abenegihugu hanyuma ngo Reta ibe ari yo ibarihira.

Kuva ubu ndamenyesheje ko abashikirizamanza bagiye kubashengeza imbere yuko abenegihugu baburana, hanyuma amahadabu Reta yorishe, abo bahemutse babe ari bo bayariha, kandi bongere bashengezwe ku caha c'ubuhemu.

**37.** Duhejeje kwizeza abenegihugu ko mutanguye umwaka w'ubutungane mufise ishaka ryo kuba ba rutura, mutura umutwaro abakorewe amabi. None rero ni mwiyubahirize, abababona bababonemwo abavyeyi b'intarumikwa, badatamikwa ijambo.

Aho bazobabona hose bababonemwo ubutungane haba mu kibano canke mu bikorwa mujejwe. Ntakinezereje nko kubona umucamanza, ukamubonamwo umukiza.

**Banyakwubahwa bacamanza mwese;**

**38.** Kuri uyu musi turi mu birori vyo gutanguza umwaka w'ubutungane**,** twashaka tubagire inama muri bimwe bimwe.

**Ubwa mbere:** Ubutungane nyabwo ni co kimenyetso nyamukuru ca Reta-Mvyeyi. Turasavye umucamanza wese, agire iryo zina rwiwe, kuba umuvyeyi w'abamwitura. Ntihagire abatovyi basubira kuvugwa mu bucamanza, maze ubutungane bushinge imizi, bube Ubutungane bw'akarorero, ubutungane buhumuriza bose.

**39. Ubwa kabiri**: Abenegihugu bahanze amaso ubucamanza. Tubasavye kubatunganiriza neza, kugira ngo uwarimye abe ari we yimbura, uwivye nawe abe ari we ahanwa. Uwarenganijwe arenganurwe atarinze gutama. Ivyo ni vyo bizotuma Ubutungane bwizerwa, Reta yizerwa, ndetse n'abenegihugu bagasubira gukunda igihugu cabo, kuko baba babona ko ari umuvyeyi koko.

**40. Ubwa gatatu**: Tumenyere ko ubutungane ari bwo mahoro ari bwo mutekano, umushinge wa vyose. Ahari kimwe haba ikindi, « nta kwaha n'imbavu »; mumenye ko uruhara rwanyu, mwebwe mujejwe ubutungane ari ntangere mu buzima bw'igihugu n'abenegihugu. Mukore mudatinya, ico gutinya ni igihugu, ni abenegihugu kuko ni bo ba shobuja kandi murazi ko bashavuye ijuru riba rikorokeye ku Burundi.

**41. Ubwa kane**: Mwame muzirikana mu kazi kanyu ko umwuga wanyu w'ubucamanza ari umuhamagaro udasanzwe usaba ukwitanga, ukwitonda, ugusonera amategeko n'ukwigenza neza muri rusangi, umucamanza akaba akarorero keza k'umuntu yubaha kandi yubahiriza amategeko.

Aho bukera, abo muzokwinjiza ngo babunganire, mubamenyeshe ko mu rwego rw’ubucamanza ata bacangero bahinjira. Murabaraba neza, mubace hirya no hino, ubutumwa bw’umucamanza busaba intungane, abanyabwitonzi, ntibusaba kuba wabaye uwa mbere mu vyigwa.

Ni co gituma n’abo mwoba mwagomwe mu bumenyi, muzobanza kubanagura mu bijanye n’ubutumwa bwo guca imanza kw’izina ry’igihugu.

**Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire;**

**42.** Ntitworangiza tudakebuye n'Abenegihugu. Ibwirizwa Shingiro ridutegereza kwubaha abo dusangiye igihugu, tukabereka ko tubasonera ata gukumira. Riradutegeka kandi kwubaha amabwirizwa n'inzego z'igihugu. Mu migenzo y'Ikirundi, murazi ko guhangara umuvyeyi ari umuvumo. Ndabasavye rero gusonera abacamanza kuko nimwabatesha agaciro muzobura abo mwitura.

Nagira ndabamenyeshe ko guhangara umucamanza na we uba wikwegeye umuvumo. Ni co gituma ndabagabishije, hariho abitwaza ngo ni Reta mvyeyi bakigira ivyo ihushi yo mu ci yigira, tubasavye kwubaha abacamanza no kwubaha intahe.

Ntihagire abo tuzokwumva basubira kwihanira. Inkozi z'ikibi zose zitegerezwa gufatwa kandi zigashengezwa imbere y'ubutungane, zihanwe hakurikijwe amategeko.

Abacamanza rero na bo bame bugavye, bace imanza kare kandi bakwirikije amategeko, bongere bihutire kuzishira mu ngiro, kugira ngo bawanye agatima ko kwihanira canke kwihora.

Erega ubucamanza ni rwo rwego rwa mbere rukingira agateka ka zina muntu bimwe bidaseswa.

**43.** Mu kurangiza, turasubiye kwipfuriza umwaka mwiza w'ubutungane. Abarundi bose n'abanyamahanga baba mu Burundi, uzotubere umwaka w'ubutungane buhumuriza kandi buremesha, kugira ngo imigambi myiza dufitiye iki gihugu cacu ciza iranguke.

Ico tubemereye, ni uko tutazohengeshanya gushigikira bimwe biboneka urwego rw'ubutungane mw'irangurwa ry'imigambi rwiyemeje.

Twipfuza ko kubera ubutungane buremesha, uburundi buba koko, igihugu c'amahoro, igihugu c'urukundo n'umwumvikano, igihugu twese turi kumwe mu runani rwo kugwanya umwansi wacu, ari bwo bukene.

**44.** Turangije rero tumenyesha ko dutanguje icese umwaka w'Ubutungane w'2020 ushira uw'2021. Tuje ku kivi tuzirikana na ntaryo ko **"UBUTUNGANE BUHUMURIZA BOSE, ARI RYO HANGIRO RYA RETA MVYEYI"**.

**Nihahangame Ubutungane mu Burundi,**

**Nihahangame Uburundi n'Abarundi,**

**Imana Mushoboravyose nibahezagire,**

**MURAKOZE.**